# Healing For Troubled Hearts Part II

**Lesson 136**

**John 14:4-6**

Memory verse : " ***Teach me your way oh Lord ; I will walk in your truth, unite my heart to fear your name.*** " Psalm 86:11

## UMUTI W'IMITIMA IBABAYE Igice ca II

**Icirwa c'i 136**

Yohana 14:4-6

Ijambbo ngenderwako : « Uhoraho*, ndangira inzira yawe, nanje nzogendere mu kuri kwawe ; egeranya umutima wanje kugira ngo wubahe izina ryawe.* » **Zaburi 86:11**

### I. Intangamarara

Mw'ijoro buca afatwa, Umwami Yesu abandanya aha inyigisho zanyuma abigishwa biwe ; akenshi yafatira ku bibizo bamubaza. Ubu bicariye ikibazo ca Petero na Toma ngo : « Ntituzi inzira ijayo »

Mukuja mu nyigisho nyezina ; tugomba turabe ingene isi yagiye ihindagurika mu mibereho y' abantu. Ababayeho imbere y'imyaka 50 ntibari bazi : Television, itelefone, imashine ordinateur, n'ibindi. Habaye ihindagurika ry'imico ryihuta rivuye kubushakashatsi. Ni iki gituma ubushakashatsi butaravumbura iyindi nzira kuri iki kibazo c'aba bagabo?

Amashengero yo kw'isi afise imico itandukanye, ariko iyo habonetse iritemera ko inzira ija ku Mana ari Yesu Kristo, naho ryoronka abarikurikira ; baba barazimiye cane.

### II. Ibibazo vya Petero na Tomas.

**Yohana 13:36** « *Petero aramubaza ati : Mwami uja hehe* ? » ; **Yoh 14:5** « *Mwami ntituzi iyo uja, dushobora dute kunenya inzira* »

Aba bababaye abanyeshuri beza. Vyari kuba bibi iyo bagumana ikibazo nk'iki mu mitima batabajije umwigisha wabo. Vyotumye bamana amadidane mu mitima.

## III. Inyishu y'ibibazo vyabajijwe.

Yesu yumvise ibibazo vyabo, arababwira ati : « Ni jewe nzira, ukuri n'ubugingo nta wushika kuri Data ntamujanye. »
Umwami Yesu yishuye iki kibazo cari gihagaritse imitima y'intumwa mu bice bitatu :

**1.Inzira** : Soma **Yesaya30 : 21**. Igihe cose umuntu afise iyo ariko araja, ahitamwo inzira imubangukiye. Yesu niwe nzira ishikana mu Bwami bw'ijuru. Abenshi barayihusha, ariko kubo yatoranije, yama abagarura akabereka inzira ishikana mu bugingo. Bakazoshika muri ca gisagara kirimwo amazu meza.

**2. Ukuri** : Mu gihe umaze kwizera Yesu nk'Umwana w'Imana, bigusaba kuba umunyakuri nkuko nawe ari. Kuvyemera gusa ntibihagije kuko na Satani aremera ko Yesu ari Umwana w'Imana kandi aranamutinya. Igihe umuntu aba akiri umunyakinyoma aba ari umwana wa Satani.
**Yoha.8 :** *« Uwo yahereye kera ari umwicanyi, kandi ntiyahagaze mu kuri, kuko ata kuri kuri muri we.* » ikintu cananiye Satani ni kuba umunyakuri. Ico ashoboye ni ubwicanyi. Ahendahenda benshi kugira bazotahirire mu kiyaga caka umuriro. Umunyakinyoma wese asangiye kamere na Satani kandi iherezo ni rimwe kuri bose.

**3. Ubugingo :** Iri niryo jambo yakoresheje igihe yavugana na Mariya mushiki wa Lazaro. Ati *« Ni jewe kuzuka n'ubugingo »* kwakira Yesu mu kuri, uba uvuye m'urupfu uhawe ubugingo budashira.

## IV. Gushira mu ngiro

●Niba wizera ko Yesu Kristo ariwe nzira, shishikara ugere ikirenge mu ciwe niho utazozimira. Uzoshika kw'iherezo ryiza ry'ubuzima bwawe.
●Niba wizera ko ariwe kuri ; shishikara umwigireko. Ukore nkuko yakora akiri mw'isi, witondere ivyo yihanikije ; nyuba y'ubu buzima ; uzosa nawe.
●Ukaba umwizera nk'ubugingo, uri umuhirwe. Baho urindiriye kuzobana nawe aho ari. Iki nico cari ikibazo gihagaritse imitima y'intumwa. ***kumenya inzira*** .

Dawidi yarafise inyota yo kugendera mu kuri, aratakamba ati : «*Uhoraho, ndangira inzira yawe, nanje nzogendere mu kuri kwawe ; egeranya umutima wanje kugira ngo wubahe izina ryawe*. » Iri niryo sengesho ukeneye uyu musi. Kugendera mu kuri bikakugeza ku kwubaha Uhoraho. Aho, uzoba amahoro mu Bwami kwa Data wa Twese mw'ijuru.

# Healing For Troubled Hearts Part III

**Lesson 137**

**John 14:1-7 ; 16:23-28**

Memory verse : " ***If you will ask anything in my name I will do.*** " John 14 :14

## UGUKIRA KW'IMITIMA IBABAYE Igice ca III.

**Icirwa c'i 137**

**Yohana 14:1-7 ; 16:23-28**

Ijambo ngenderwako : *« Nimwagira ico musaba mw'izina ryanje, nzogikora »* **Yohana 14:14**

## I. Intangamarara

Abashakashatsi basanze mu buzima bw'umuntu amara imisi ingana n'iyimyaka ine atonze ku murongo arindiriye ico asaba, iyingana n'iy'iyimyaka ine ari mutunama n'abandi canke n'umuryango, iyingana n'iyimyaka icenda asinziriye, iyingana n'iyimyaka itandatu ariko ararya, iyingana n'imyaka ibiri ariko yoga, ibira ariko arahamagara abantu, n'iyingana n'amezi atandatu ariko arasenga.

Muri ivyo bihe vyose, habamwo ibihe vyo kunezererwa n'ibindi vyo kubabara, kugira ubwoba, guhagarika umutima, n'ibindi. Ikibabaje ni uko ahari inyishi y'agahinda ariho baha umwanya muto.

Ibihe nk'ibi vyarabaye no ku ntumwa za Yesu. Barabaye mu gihe co kurya imitsima yahinduye, baba mu gihe co kunezererwa kubera basengeye abantu bagakira… Ubu naho, Yesu amaze kubabwira ngo : Navuye kwa Data nza mw'isi, none isi ndiko ndayivamwo, akavuga ko umwe muri bo aza kumugurisha kandi ko Petero ahava amwihakana gatatu ; baca bahagarika imitima. Yesu we abanda abaha ubumenyi mu nyigisho.

## II. Ibibazo vyinshi n'inyishu zavyo.

Hari ibibazo tugiye kwigira hamwe kubera iyi nyigisha ya Yesu :

**Ikibazo ca 1.** Ni ibihe bintu biboneka Yesu yishuye Filipo vyashobora guhumuriza umutima wiwe, canke imitima yacu?

● 14:10b « *Amajambo ndababwira si ayo nigeneye, ariko Data aba muri jew niwe niwe akora ibikorwa vyiwe.* » ; **11b** « *Bibuze, mupfe kwizera kubwa ibikorwa ubwavyo* ». Ijambo ry'Imana n'ibikorwa Yesu akibandanya akorera abamwizeye ni igera ushobora kumanikaka ukwizera kwawe bikagutuma utazosubira kujarajara. Niba utokwemera ko agukunda, tuma wemera ko yakurinze ukaba ukiriho.

Yohana intumwa ya Yesu we atubwira ati **1Yoh 5:13** « *Ivyo ndabibandikiye mwebwe mwizeye izina ry'Umwana w'Imana, kugira ngo* ***mumenye ko*** *yuko mufise ubugingo budashira* » ikintu iyo ukizi neza, ntibiba bikigusaba kurondera canke gukeka. Niba waramwakiriye, ni umenye ko ufise ubugingo budashira.

**Ikibazo ca 2 :** Mbe twebwe ab' iki gihe, tuzoshobora gukora ibitangaza nk ívyo intuma za Yesu zakora ?

● **Soma 14 :12** Wow, vyumvikana ko nshobora guhumura impumyi, nogendera ku mazi, norwiza imitsima n'amafi… Mbega ikibumbano corusha ububasha uwakibumvye ? Ijambo « Ibibiruta » ntirisigura kurusha ububasha, inkomezi. Bizokwitwa ibihambaye kuko tuzokwemera kubikoreshwa kandi turi abantu batabuze amageragezwa y'ubuzima. Biciye mu gusenga n'ubu abizeye baracakoreshwa ibitangaza mw'izina rya Yesu Kristo.

**Ikibazo ca 3** : Mbega Yesu azogira ico aduha niyo twamusaba twizeye ?

**Soma 16:23** Ni vyiza ko tumenya ko iyo dufise ico dusaba, dukwiye kugisaba mw'izina rya Yesu Kristo kuko ariwe atweza kugira ibigabitanyo vyacu ntibigume biboneka imbere y'Imana. Iki nico gituma mukurangiza tuvuga ngo : *Ni mwizina tubisavye rya Yesu ; Amen.* Hamwe nivyo ; vyose bikorerwa mu bumwe. Iyo tubikoze uko, Data ahabwa icubahiro.

**Ikibazo ca 4** : Ni gute womenya ko uriko urasenga mw'izina rya Yesu canke wibeshe ?

**Yoh. 9:31** *« Turazi ko Imana itumviriza abanyavyaha, ariko uwuyubaha agakora ivyo igomba, uwo niwe yumviriza. »* Uretse isengesho ryo gusaba imbabazi ; ayandi masengesho y'umunyavyaha, ahera mu kirere. Kubakijijwe bo, amasengesho yabo yose, naho yobamwo amakosa, arashikira Imana. Niyo imenya inyishu ibereye n'igihe gikwiriye co kubiguheramwo.

**Ikibazo ca 5 : Woba** wizera ko Imana ikumva igihe ubva uriko urasenga ?

Tumaze kumenya ko Mpwmu w'Imana aba muri twebwe, ntacotuma dukekeranya ko amenya n'ivyo twiyumvira. Iki nico gituma abanyavyaha batumvirwa. Ni uko batamufise. Ugusenga guciye ku bandi bantu, ntikgushikira

Imana. **14:6** « *Ni jewe inzira, ukuri n'ubugingo ; ntawushika kuri Data ntamujanye.* »

## III. Gushira mu ngiro

Nkuko Yesu yamye anezerezwa no guhumuriza imitima ibabaye , niko ariko arabikora na n'ubu muri twebwe. Twizera ko inzu zacu ziriko zirubakwa mw'ijuru, twizera ko iyo dusenga Imana itwumva. Ibibazo birashobora gushikira imiryango yacu, ubuzi dukora, ntakindi co gukora atari gusenga mw'izina rya Yesu Kristo. Ivyo biramunezereza kandi bihesha Imana icubahiro.

Urashobora kuba wahora wikengera, menya ko uri umwana w'Imana kandi agukunda. Wohaguruka ukamusaba ico ugomba cose wizeye, arakigukorera.

**WE ARE NO LONGER ORPHANS AND DESTITUTE**
**Lesson 138**
**John 14:15-31**
Memory verse : " ***Or don't you know that your body is a temple of the Holy Spirit which is in you, which you have from God. ? You are not your own.*** " I Corithians 6:19

## NTITUKIRI IMPFUVYI NA NTAHONIKORA.

**Lesson 138**
**Yohana 14:15-31.**

**Ijambo ngenderwako** : « *Ntimuzi yuko imibiri yanyu ari insengero za Mpwemu Yera ari muri mwebwe, uwo mwahawe avuye ku Mana ? Kandi si mwe mwiganza* » **1 Korinto 6 :19**

## I. Intangamarara

Tumaze imisi twiga ingene mw'ijoro bwaca bafata Yesu, abigishwa biwe bahagaritse imitima kubera ahava afatwa, akabambwa, akazozuka ariko atazogumana nabo aha kw'isi. Bamubajije ibibazo vyinshi kandi nawe yarabahaye inyishu. Iri joro yavuze amajambo menshi kuko yasa n'uwuraga.

Mu kubaremesha yababwiye ko badakwiye guhagarikwa imitima n'uko agiye gusubira kwa se mw'ijuru. Ababwira ko atazobasiga nk'impfuvyi. Impfuvyi ni umwana yabuze abavyeyi biwe. Abomurera bose, ntibomukunda gusumba abamuvyaye. Bamwe iyo babuze abavyeyi baca bacika ba ntahonikora.

## II. Yesu aremesha intumwa.

Umwami Yesu yarabandanije kubayagisha. Niho yageza aho ababwira ati : « *Amahoro yanja ndayabagabiye. Jeho sindayabagabira nk'uko ab'isi bayagaba. Imitima yanyu ntihagarare, kandi ntitinye*. » **14:27**
Nta munyamahoro aba mw'isi uretse uwakijijwe kandi abo bayahabwa nk'ingabire. Ntibisigura ko badahura n'ibibazo. Ariko Umwami Yesu aba ari kumwe nabo. **Zaburi 84:6** « *Iyo baciye mu mwonga witwa Marira, bawuhindura ahantu h'amariba* » Amarira ►◄ Amariba.

Muri aya majambo, Yesu yaremesheje intumwa muri vinshi :
**1**.Ni muri iri joro yababwira inkuru y'amazu agiye kububakira mw'ijuru.

**2.** Niho yarabamenyesha ingene imigenderanire hagati yiwe n'abamwizera izokomera. Arababwira ati : *« Ico muzosaba cose mw'izina ryanje nzogokora*. » Igikorwa co gusenga nico gikomeza umubano mwiza n'Imana. uwusebga arahabwa inkomezi zo kunesha icaha.

**3.** Ubwa gatatu, yabemereye umufasha azohorana n'abamwakiriye igihe c'ubuzima rukrito cose. **Mpwemu Yera**. Niko kubabwira ati « *Sinzobasinga nk'impfuvyi, nzoza kuri mwebwe.* » Impfuvyi niyo igira amarira adashobora guhozwa n'ikintu na kimwe. Naho wobona anezererwe, iyo avyibutse biramubabaza. Kugira ngo ubane neza n'abandi, bigusaba kubanza kumenya ubuzima baciyemwo. Aho niho womenya ico ukwiye kuvuga. Abakijijwe ntibakwiye kurizwa n'ibibazo nk'aho bakiri impfuvyi na ba ntahonikora.

## III. Mpwemu Yera umufasha mu rugendo rwo mw'ijuru

Yesu arababwira ati : « *Ni mwankunda muzitondera amabwirizwa yanje* » bisigura ngo : "Muzoshira mu ngiro ivyo nabigishije" ivyo babikoze, bazohabwa Mpwemu Yera.
Mpwemu Yera si inkomezi (Power), ni umuntu (Person). Ni umwe mu butatu. Igihe twokwibaza ko ari inkomezi, uzohava usenga usaba mwinshi kugira ube umunyenkomezi wikirenga. Pawulo asaba abizera ko bokuzura Mpwemu Yera. Aha abasaba ko bokwemera kuyoborwa nawe muri vyose.

Ikibazo si : Mbega ufise Mpwemu angana gute. Ikibazo ni Mbega uremerera Mpwemu Yera akakubera umuyobozi ? **Abanyefeso 4:30** « *Kandi ntimukababaze Mpwemu Yera w'Imana, yabashiriyeho kuba ikimenyetso, gushika ku musi wo gucungurwa.* » Iki kirekana ko ari umuntu kuko ashobora kubabara, kunezererwa, guhanura… inguvu si uko zimeze.

Mu gihe umuntu agomba gukora icaha, naho atawuba amubona, Mpwemu Yera aramuhanura, atamwumviye aca ababara cane. Igihe umuntu yari yaramwakiriye

asubiye mu vyaha, ntamuheba. Aguma amuyagisha bukebuke, amwingiga igihe kikagera akamwumvira, akagaruka ku Mana.

Mpwemu Yera aba mu mibiri yacu. Ntaco wohisha uwuba muri wewe kandi akurusha ubwenge. Iyo uriko usambana aba akubona, wiba akubona, ivyiyumviro vyawe vyose arabizi. Iki nico gituma abakijijwe badakwiye kunywa ibiboreza kuko Mpwemu atobana navyo mu mubiri umwe. Ikindi ntivyokunda kuyoborwa na Mpwemu kandi ubwenge buriko bukoreshwa n'ibiboreza. Uwudafise Mpwemu ntazoja mw'ijuru.
Ikikumenyesha ko utaramuronka ni uko ushobora gucumura, canke gusiba mu bikorwa vy'Imana ukumva umutima ntusimvye.

2. Mpwemu Yera niwe amenya ingabire umwe wese akwiye guhabwa. **Soma imirogo 1 Korint. 12:4 na 11** Izo nizo za nkomezi zihabwa abari mu rugendo ruja mw'ijuru.

Ingabira ni ico cose uhawe ataco urinze gusabwa. Aha niho abenshi bazimirira bakirirwa basenga bisonzesha ngo bariko basaba ingabire. Hari abasaba ngo bahabwe izo kuvugishwa no gukora ibitangaza. Umugororotsi yemera gukoresha neza iyo yagabiwe kuko niyo iba imukwiye. Azohabwa umugisha.

Inyigisho ivuga Mpwemu Yera ni ndende cane, ariko ico ukwiye gukora ni ukumwumvira. Uyu akoresha uburyo butandukanye mu kuvugana n'abantu : mw'ijambo ry'Imana, kumva ijwi ryo mu mutima, mu nzozi, mu ndirimbo, n'ahandi. Abamufise, bumva atari impfumvyi canke ntahonikora.

## IV. Gushira mu ngiro.

Vyoba bigushikira umwansi Satani akakubwira ko uri uwinyuma mw'ishengero ndetse n'imbere y'Imana ? Uyu musi urashobora kumumenyesha ko uhejeje gutahura ko ufise Data kandi agukunda, akakwitwarariko. Niyo wabikora uzoba ushikiye intsinzi ku buzima bwawe. Ikindi ni uko Mpwemu Yera aca aza kuba mu bugingo bwawe. Ushobora guhaguruka ugasenga.